# أصول الدعوة

# DA’AWAH

بِسۡمِ ٱللَّهِ ٱلرَّحۡمَٰنِ ٱلرَّحِيمِ

## أصوال الدعوة: USWUULU DA'AWAT

**INSIGURO Y'UBUMENYI BWO KUMENYA ICIGWA CA (DA'AWAT)** تعريف علم أصول الدعوة:

جمع أصل: قوانين وقواعد يبنى عليه العلم أو الدين.

Ni amategeko n'umushinge vyubakiye ku bumenyi canke idini.

Sheikh Muhamadi Arraawi yasiguye ijambo Daawat mu Gitabu ciwe (Ubutumwa bwa Kislamu n'ubutumwa bwo kw'isi yose ) ati: " Ni uguhimiriza abantu mu bintu vyiza no kuyoboka, no kubwirizanya no kubuzanya ibibi kugira baronke ijuru ".

Dogiteri Ahmad Ghalush mu gitabu ciwe citwa: ( Ubutumwa bwa Kislamu ) yasiguye ijambo Daawat ati: " Ni ugushikiriza Ubwislamu ku bantu no kubigisha hamwe no kubukoresha mu buzima ".

الدعوة في القرآن الكريم، كلمات مرادفة وأساليب منها:

IJAMBO DAAWAT MURI KOROANI, NI AMAJAMBO AFISE INSIGURO N'INZIRA ZISA, MURI ZO N'IZI:

1) التبليغ والبلاغة: Gushikiriza

قال الله تعالى: " يا أيها الرسول بلغ ما أنزل إليك من ربك..." المائدة 67.

Imana Allah Ivuga Iti: { Ewe Ntumwa! Shikana ivyo wamanuriwe n'Umuremyi Wawe…}. Maida; 67.

2) التعليم والإعلام: Ukwigisha no kumenyesha

قال تعالى: " ويعلمكم الكتاب والحكمة ويعلمكم ما لم تكونوا تعلمون " البقرة 152.

Imana Ivuga Iti: { Kandi abigishe amajambo y'Imana (igitabu) n'urupfasoni (insiguro), yongere inabigishe ivyo mutari muzi }. Bakara ; 152.

3) الأمر بالمعروف والنهي عن المنكر، وهو أخص من الدعوة:

Ukubwirizanya gukora ivyiza no kubuzanya ibibi, kandi nivyo vyiza gusumba mu gikorwa c'ivugabutumwa (Da'awat).

قال تعالى: " ولتكن منكم أمة يدعون إلى الخير، ويأمرون بالمعرف وينهون عن المنكر وأولئك هم المفلحون ". آل عمران 104.

Uwuhoraho Avuga Ati: { Ni habeho umugwi muri mwebwe uhamagarira abantu mu vyiza, kandi unategeke gukora ivyiza wongera ubuzanya ibibi, kukaba nkako abo nibo batahukanye intsinzi }. Aali 'Imran; 104.

4) الإيصال: Gushikana

قال تعالى: " ولقد وصلنا لهم القول لعلهم يتذكرون ". القصص 51.

Uwuhoraho Avuga Ati: { Nta nkeka Twarabashikirije inkuru (muri Koroani) kugira ngo bibuke (bikebuke) }. Kaswaswu; 51.

5) البيان والتبيين: Gutomora no gushira ahabona

قال تعالى: " وأنزلنا إليك الذكر لتبين للناس ما نزل إليهم ". النحل 44.

Uwuhoraho Allah Avuga Ati: { Kandi Twarakumanuriye urwibutso (Koroani), kugira ngo usigurire abantu ivyo bamanuriwe (inyigisho zawe) }. Nahli; 44.

Ivugabutumwa (Daawat) rero rifise akamaro k'ibintu bitanu vyemewe muri Koroani no mu nyigisho z'Intumwa y'Imana (Imana Iyihe amahoro n'imigisha), maze vyongera bihurizwako n'abamenyi mu vy'Idini, nazo zikaba ari izi zikurikira:

1) Gukingira Idini .حماية الدين

2) Gukingira umutima w'umuntu حماية النفس -

3) Gukingira umugore n'abana حماية العرض - .

4) Gukingira ubwenge   - حماية العقل .

5) Gukingira ubutunzi   - حماية المال

## مقاصد وأهداف الدعوة:

**INTUMBERO N'IGITUMA HATANGWA UBUTUMWA (DAAWAT):**

1- تحقيق لا إله إلا الله في الأرض.

Isi kuyitsimbatazako ijambo ryo kwemera Imana Imwe Rudende. -1

2-نشر الإسلام في كل بقاء الأرض وتطبيقه كمنهج حياته.

2) Gukwiragiza Ubwislamu kw'isi yose no kubishira mu ngiro, kandi akabifata nk'inzira y'ubuzima bwiwe.

3- تحقيق خيرية هذه الأمة بممارسة الأمر بالمعروف والنهي عن المنكر.

3- Gutsimbataza ivyiza vy'uru runganwe, mu kubwirizanya ivyiza gukora ivyiza no -3 kubuzanya ibibi.

4-الإطعام من الجوع.

4) Gufungurira abashonje (banyotewe inyigisho).(1

5-الأمن من الخوف.

5) Kuba mu mutekano bivanye no gutinya. (2

6- تطهير الأرض من الفساد.

6) Gusukura isi bivanye n'ubwononyi. (3

## الدعوة إلى الله:

**:UGUHAMAGARIRA ABANTU (DAAWAT) MU NZIRA Y'IMANA**:

قال الله تعالى: " أدع إلى سبيل ربك بالحكمة والموعظة حسنة وجادلهم باللتي هي أحسن ". النحل 125.

Uwuhoraho Allah Avuga Ati: { Hamagarira mu nzira y'Imana Yawe Allah mu bwitonzi

.n'inyigisho nziza kandi ubasigurire mu buryo bwumvikana }. Nahli; 125

Mu nzira y'inyigisho zo gushikiriza ubutumwa (Daawat), niho duca tumenyera intumbero :y'Imana Allah yo kurema abantu nayo ni

.Ukwambaza Imana Allah no kuyisenga

Ivyo bibuze, ikiremwa muntu ntigishobora kumenya inzira yo gushika ku Muremyi Waco, .ahubwo yoca aba kw'isi kurya kw'ibikoko kandi azoba azimiye

قال الله تعالى: " وما خلقت الجن والإنس إلا ليعبدون. ما أريد منهم من رزق وما أريد أن يطعمون. إن الله هو الرزاق ذو القوة المتين ". الذاريات 56-57.

Uwuhoraho Allah Avuga Ati: { Nta kindi Naremeye abantu n'amajini atari ukugira ngo bangamburukire }. { Ntaco Nkeneye mu mafunguro yabo, kandi Sinkeneye ko bamfungurira. Mu vy'ukuri Imana Allah Niyo Nyene gutanga amafunguro, Nyeninguvu zihambaye }. Dhariyat; .56-57

Twihweje uwo murongo (Ayat), dusanga mu vy'ukuri Imana yacu ari Yo Igaba no gutanga .)amafunguro, kugira ngo ntiburabuze ikiremwa muntu gutanga ubutumwa (Daawat).

## الآيات الدالة على وجوب الدعوة:

**:IMIRONGO (AAYAT) YEMEZA KO IGIKORWA CO GUSHIKIRIZA UBUTUMWA ARI ITEGEKO:**

قال تعالى: " قل هذه سبيلي أدعو إلى الله على بصيرة أنا ومن اتبعن ". يوسف 108.

Uwuhoraho Allah Avuga Ati: { Vuga uti: Iyi niyo nzira yanje mpamagariramwo (abantu) .kumenya Imana Allah nkoresheje ubumenyi jewe hamwe n'abankurikira }. Yousuf; 108

وقال تعالى: " ولتكن منكم أمة يدعون إلى الخير ويأمرون بالمعروف وينهون عن المنكر ". آل عمران 104.

Uwuhoraho Allah Avuga Ati: { Ni habe umugwi hagati yanyu uhamagarira abantu kubwiriza .ivyiza no kubuza ibibi }. Ali 'Imran; 104

وقال تعالى: " كنتم خيرا أمة أخرجت للناس تأمرون بالمعروف وتنهون بالمنكر ". آل عمران 110.

Uwuhoraho Allah Avuga Ati: { Muri urunganwe rwiza rwatowe mu bantu, kuko mubwirizanya gukora ivyiza no kubuzanya ibibi }. Ali ‘Imran; 110.

وقال تعالى: " أدع إلى سبيل ربك بالحكمة والموعظة حسنة وجادلهم باللتي هي أحسن ". النحل 125.

Uwuhoraho Allah Avuga Ati: { Hamagarira mu nzira y’Imana Yawe Allah mu bwitonzi n’inyigisho nziza kandi ubasigurire mu buryo bwumvikana }. Nahli; 125.

وقال تعالى: " فلذالك فادع واستقم كما أمرت ولا تتبع أهواءهم ". الشورى 15.

Uwuhoraho Allah Avuga Ati: { Kur’ubwo rero, hamaga wongere wubahirize amategeko nk’uko wabitegetswe (n’Umuremyi wawe), kandi ntukurikire ivyipfuzo vyabo }. Ashoura; 15

وقال تعالى: " وادع إلى ربك، إنك لعلى هدى مستقيم ". الحج 67.

Uwohoraho Allah Avuga Ati: { N’uhamagarire mu nzira y’Umuremyi wawe, mu vy’ukuri wewe uri mu nzira igororotse }. Alhajji; 67.

## <u>الأحاديث الدالة على وجوب الدعوة:</u>

**<u>INYIGISHO Z’INTUMWA Y’IMANA (HADITHI), ZEREKANA KO GUTANGA UBUTUMWA (DAAWAT) ARI ITEGEKO:</u>**

قال رسول الله صلى الله عليه وسلم: " من رأى منكم منكرا فليغيره بيده، فإن لم يستطع فبلسانه، فإلم يستطع فبقلبه فذالك أضعف الإيمان ". ( رواه المسلم ).

Intumwa y’Imana ( Imana Iyihe amahoro n’imigisha ) yavuze iti: “ Uwuzobona ikibi (amakosa) muri mwebwe azokibuze akoresheje ukuboko kwiwe, atabishoboye akoreshe ururimi rwiwe, atabishoboye ababarire ku mutima naho vyo bisigura ukwemera kugoyagoya “. Yakiriwe na: Muslim.

قال رسول الله صلى الله عليه وسلم: " بلغوا عني ولو آية، وحدثوا عن بني إسرائيل ولا حرج ". متفق عليه.

Intumwa y'Imana (Imana Iyihe amahoro n'imigisha) yavuze iti: " Shikana inyigisho zivuye iwanje naho wobo umurongo (Aayat) muri Koroani, wongere uyage inkuru z'Abanyesrayeli ata ngorane ". Bayihurijeko: Bukhari na Muslim.

قال رسول الله صلى الله عليه وسلم: " خيركم من تعلم القرآن وعلمه " . ( رواه البخاري ومسلم ).

Intumwa y'Imana (Imana Iyihe amahoro n'imigisha) yavuze Iti: " Umwiza muri mwebwe, ni wawundi yize Ikoroani akayigisha n'abandi ". Yakiriwe na: Bukhari na Muslim.

## فضل الدعوة إلى الله:

**IVYIZA VYO GUTANGA UBUTUMWA (DAAWAT):**

Hari imirongo (Aayat) myinshi iri muri Koroani hamwe n'inyigisho z'Intumwa y'Imana (Imana Iyihe amahoro n'imigisha) zivuga ku vyerekeye ivyiza vy'ivugabutumwa.

Haravuzwe kandi ukuntu Intumwa y'Imana (Imana Iyihe amahoro n'imigisha) yarungika abantu biwe (ingendanyi) kuja gushikiriza ubutumwa (Daawat) mu bihugu bitandukanye.

Kur'ubwo rero (Daawat) ni igikorwa ciza kandi gihambaye ku Mwislamu.

قال تعالى: " ومن أحسن قولا ممن دعا إلى الله وعمل صالحا وقال إنني من المسلمين ". فصلت 33.

***Insiguro***: Uwuhoraho Allah Avuga Ati: { Ni ayahe majambo meza kuruta uwuhamagarira abantu mu nzira y'Imana Allah no gukora ibikorwa vyiza…}.

Vyumvikana ko ata numwe afise amajambo meza asumba ay'ivugabutumwa (Daawat), kuko n'Intumwa y'Imana (Imana Iyihe amahoro n'imigisha) yarahamagariye abantu inzira nziza yo ku Mana Allah.

Ayo majamabo y'Imana Allah rero yerekanye neza ivyiza vya Daawat, bisigura ko Daawat ari igikorwa ciza co kwiyegereza Imana Allah kandi kinayishimisha, abagikora rero bose icubahiro gihambaye ku Mana Allah.

Muri ico gikorwa hakaba hari Intumwa z'Imana zarungitswe gushika ku ntumwa ya nyuma Muhamadi (Imana Izihe amahoro n'imigisha).

وفي الحديث:

No mu nyigisho (Hadithi) z'Intumwa y'Imana (Imana Iyihe amahoro n'imigisha) Muhamadi avuga ati:

" من دل على خير فله مثل أجر فاعله ". (رواه مسلم)

***Insiguro:*** " Uwuzokwereka uwundi gukora iciza, nawe aronka ibihembo bingana n'ivy'uwabikoze''. Yakiriwe na: Muslim.

وقال ﷺ: " من دعا إلى هدى، كان له من الأجر مثل أجور من تبعه لا ينقص ذلك من أجورهم شيئا. ومن دعا إلى ضلالة، كان عليه من الإثم مثل آثام من تبعه لا ينقص ذلك من أثامهم شيئا ". (رواه مسلم).

Kandi Intumwa y'Imana (Imana Iyihe amahoro n'imigisha) yavuze Iti: (( Uwuhamagariye abantu kuyoboka Imana Allah, nawe aronka ibihembo bingana n'ivy'uwamukurikiye ata gihembo na kimwe kigabanutse mu bihembo vyabo. N'uwuhamagariye abantu ku bintu bibi (bizimiza), nawe aronka ibicumuro bingana n'ibicumuro vy'abo yazimije ata gicumuro na kimwe kigabanijwe mu bicumuro vyabo )). ( Yakiriwe na: Muslim).

وقال ﷺ: " والله! لأن يهدي الله بك رجلا واحدا، خير لك من حمر النعم ". (متفق عليه)

Kandi Intumwa y'Imana (Imana Iyihe amahoro n'imigisha) ivuga iti: (( Ndarahiye kw'Izina ry'Imana (Wallahi)! Imana Niyakurongorera umuntu umwe (akaba Umwislamu), ni vyiza gusumba indogobwa itukura )). Bayihurijeko: Bukhari na Muslim.

Aya majambo yose ni inkuru nziza kubashikiriza ubutumwa (Daawat), arerekana kandi ibihembo baronka Imana Allah Ihako uwinjije uwundi Ubwislamu, naho boba bangana ibihumbi n'ibihumbagiza arabaronkako bose.

Kur'ubwo rero urakejwe ewe Muvugabutumwa (Da`i) kuri ibi vyiza bihambaye ntibigutange.

Ibi vyose vyerekana ko Intumwa y'Imana (Imana Iyihe amahoro n'imigisha) izoronka ibihembo vy'abayikurikiye bose gushika ku musi w'umuhero, kuko yabashikirije ubutumwa bw'Imana Allah kandi yongera ibereka ivyiza bokora.

Uko niko izindi Ntumwa nazo zizoronka ibihembo bingana nk'ivy'abazikurikiye.

Na wewe kandi muvugabutumwa, gurtyo nyene ibihe vyose uzoronka ibihembo nk'ivy'abagukurikiye n'abemeye inyigisho wabahaye.

**مصادر الدعوة إلى الله:**

**AHO DUKURA IVUGABUTUMWA RY'IMANA ALLAH:**

1) Ikoroani Nyeranda.1-القرآن الكريم

2) Inyigi z'Intumwa y'Imana (S.a.w.).1)السنة المطهرة

3) Ubuzima bw'Intumwa y'Imana (S.a.w.).2)السيرة النبوية

4) Ubuzima bw'Abasangirangendo.3)سيرة الصحابة

5) Ubuzima bw'Abamenyi bagiye bararengana. 4) سيرة علماء العصر

**INKINGI ZIGIZE IVUGABUTUMWA (DAAWAT) :أركان الدعوة**

1) Umuvugabutumwa (Da'i).1-الداعي

2) Uwuhabwa ubutumwa 2- المدعو.

3) Inyigisho zikoreshwa mw'ivugabutumwa. -3 المنهج

**UMUVUGABUTUMWA (DA'I) NI NDE? :الداعي من هو**

Dai: Bisigura umuvugabutumwa wa Kislamu, ivyo bikaba vyemezwa n'amajambo y'Imana Allah ari muri Koroani Nyeranda avuga ati:

" يا أيها النبي إنا أرسلناك شاهدا ومبشرا ونذيرا. وداعيا إلى الله بإذنه وسراجا منيرا". الأحزاب 45-46.

Insiguro: { Ewe Ntumwa y'Imana! Mu vy'ukuri Twakurungitse kugira ngo ube icabona n'uwushikiriza inkuru nziza ube n'imburi. Kandi ube n'uwuhamagarira ku Mana (umuvugabutumwa) ku bubasha bwayo wongere ube n'umuco umurika }. Ahzab; 45-46.

**UWUHABWA UBUTUMWA NI NDE? المدعو من هو:**

N'urya atumberwa mu guhabwa ubutumwa, wa hafi canke wa kure, yaba umugabo canke umugore, yaba umwislamu canke uwutari umwislamu.

**أصناف المدعوين وكيفية دعوتهم:**

**UBWOKO N'IMICE Y'ABAHABWA UBUTUMWA N'INGENE BABUSHIKIRIZWA:**

*حالات المدعوين حين الخطاب:*

*UBURYO BWO KUVUGANA N'UWUHABWA INYIGISHO (UBUTUMWA):*

الحالة الأولى: أن يكون راغبا في الخير وقبلا عليه.

1) Ubwa mbere: Uwuhabwa inyigisho abe akunda ivyiza no kuvyemera .

وهذا يكفي في حقه مجرد الدعوة.

Uyu akwiye guhabwa inyigisho gusa.

الحالة الثانية: أن يكون عنده فتور وكل عن الخير أو إقبال ورغبة في الشر.

2) Kuba afise ubunebwe mu bintu vyiza, canke akunda no kwihimiriza mu bintu vy'indyane.

فهذا يكفيه مجرد الدعوة، بل لا أن يضاف إليها موعظة حسنة بالترغيب بالخير والطاعة.

Uyu akwiriye guhabwa inyigisho, kandi bigasaba yuko yokongerezwa guhabwa impanuro nziza zo kumukundisha ibintu vyiza no kubishira mu ngiro.

الحالة الثالثة: أن يكون له إعراض عن الخير واندفاع إلى الشر ومحاجة في ذلك.

3) Ubwa gatatu: Kuba adakunda ibintu vyiza no gushira imbere ibintu bibi, n'indyane, no guharira mu guhanahana amajambo ku bitari vyiza.

فهذا لا يكفي في حقه مجرد الدعوة والموعظة، بل لا بد أن يضاف إليها مجادلته بالتي هي أحسن. قال تعالى: " أدع إلى سبيل ربك بالحكمة والموعظة الحسنة، وجادلهم بالتي هي أحسن ". النحل 125.

Uyu inyigisho n'impanuro vyonyene ntibimukwiriye, ahobwo n'uwo kwongerezwa mu kumuganiriza ku bintu vyiza.

Uwuhoraho Allah Avuga Ati: { Hamagara mu nzira y'Imana yawe mu bwitonzi n'inyigisho zishemeye, wongere ubasigurire mu buryo bwumvikana }. Nahli; 125.

## حقوق المدعو:

**IVYO UWUHABWA UBUTUMWA ATEGEREZWA GUKORERWA:**

1-أن يؤتى المدعو ويدى حيث كان.

فالداعي إلى الله يقوم بالدعوة بنفسه وبذهن إلى المدعوين في أماكنهم ولا ينبغي له انتظار مجيئ الناس إليه.

2- اختيار الوسائل والأساليب الملائمة لدعوته.

والوسائل تتمثل فيما يلي:

- الدعوة إلى الله بالقول.
- الدعوة إلى الله بالعمل.
- الدعوة إلى الله بالقدوة الحسنة.

3-الشفقة والحرص عليه.
4-العفو عنه والإحسان إليه.
5-عدم الإستهالة بأي إنسان.
6- عدم مواجهته بالزجر أمام الناس.

1- Uwuhabwa ubutumwa kumusanga aho hose ari mu kumuhamagarira mu nzira y'Imana.

Uwumushikiriza nya butumwa (Daawat) nawe, akora igikorwa ciwe atumbera abahabwa inyigisho abasanga iyo bari ntarindire ko abantu ari bo bamusanga iyo ari canke iwe.

2- Gutora uburyo n'inzira nziza ibereye yo gushikiriza inyigisho ziwe k'uwuhabwa ubutumwa.

Ubwo buryo nabwo bukaba bumeze nk'uku gukurikira:

- Guhamagara mu nzira y'Imana Allah mu gukoresha amajambo.
- Guhamagara mu nzira y'Imana Allah ucishije mu majambo.
- Guhamagara mu nzira y'Imana Allah biciye mu bikorwa.
- Guhamagara mu nzira y'Imana Allah mu kuba akarorero keza.

3- Kumugirira impuhwe no kumwitaho.
4- Kumuharira no kumugirira ineza.
5- Ukudakengere umuntu uw'ari we wese (uko ameze).
6- Ukutamukankamira imbere y'abantu.

## ما يجب على المدعو:

**UWUHABWA UBUTUMWA IVYO ASABWA GUKORA:**

1-الإنقياد إلى الحق والخير إن تبين له.
2- طلب العلم الشرعي.
3-العمل على تطبيق منهج الإسلام.
4-القيام بالدعوة إلى الله.
5- السؤال عما يشكل عليه.

1- Ukuyoboka no gukurikira ukuri n'ivyiza mu gihe amaze gutahura.
2- Ukurondera ubumenyi bw'Idini.
3- Gukora yisunze inyigisho z'Ubwislamu.
4- Gukora igikorwa c'ivugabutumwa (Daawat).

5- Ukubaza ivyo vyose bimudadaniye.

## المنهج ما هو:

## N’IZAHE NYIGISHO ZIKORESHWA MU GUTANGA UBUTUMWA ?:

Ni iciyumviro kijanye n’inzira yo guhamagariramwo abantu (ubutumwa), tukagikora kugira dugitsimbataze kw’isi, iyo nzira nayo ni iy’uwahetuye intumwa zose, nawe s’uwundi ni Muhamadi (Imana Imuhe amahoro n’imigisha).

Mu bintu vya mbere nyamukuru vyo guhamagariramwo abantu, ni kuri ibi bikurikira:

a) Kuvyerekeye imigenderanire n’Imana Allah: Abantu bahamagarirwe mu Bwislamu no gukore ivyiza.
b) Kuvyerekeye imigenderanire na kiremwa muntu: Nko kubahiriza agateka ka muntu uw’ari we wese no ku muha icubahiro ciwe gikwiye.
c) Kuvyerekeye imigenderanire n’abandi: Nko guhamagarira abantu gusonera no kwubaha abavyeyi no kugira imigenderanire nabo mu muryango (abavandimwe hamwe n’ababanyi, no kubana neza mu mahoro).

## IMIGENDERANIRE N’IMANA ALLAH:

Mu vyo umuvugabutumwa ategerezwa guhamagariramwo abantu, ni ya nzira ya Allah igororotse y’Ubwislamu, na ni nayo Dini y’ukuri yemewe imbere y’Imana Allah.

Iki gikorwa rero nico umuvugabutumwa ategerezwa gukora kugirango abantu bakurikire Idini y’ukuri.

قال تعالى: " أدع إلى سبيل ربك ". النحل 125.

Imana Allah Ivuga Iti: { Hamagara mu nzira y’Umuremyi wawe }. Nahli; 125. Inzira y’Imana rero ni Islamu, kandi niyo nzira igororotse na niyo Dini yarungikanywe Intumwa y’Imana Muhamadi (Imana Imuhe amahoro n’imigisha).

قال الله تعالى: " إن الدين عند الله الإسلام ".

Uwuhoraho Imana Allah Nyenicubahiro Avuga Ati:

{ Mu vy'ukuri Idini ry'ukuri imbere y'Imana Allah ni Ubwislamu }. Aali `Imraan; 19.

Umuvugabutumwa rero ntahamagare abantu ku mugwi wan aka canke ku vyiyumviro vya naka, ahubwo ahamagare abantu kw'Idini ry'Imana Allah mu nzira nziza Imana Allah Yarungikanye Muhamadi (Imana Imuhe amahoro n'imigisha).

Atangurire ku bihambaye gusumba ibindi, agahera guhamagara mu kwemera Imana Allah ku kuri no ku bwigenge bw'Imana Allah mu bijanye n'ibikorwa Vyayo, kwemera Imana n'Intumwa Zayo zose, kwemera umusi w'umuhero, eka n'ivyo vyose Imana Allah Yarungikanye Muhamadi (Imana Imuhe amahoro n'imigisha).

## أساليب الدعوة:

**INZIRA NZIZA YO GUSHIKIRIZAMWO IVUGABUTUMWA (DAAWA):**

Nta nkeka ko gushikana ubutumwa mu mitima y'abantu ari igikorwa kitoroshe kuko gishobora bake mu bashobojwe n'Imana Allah.

Mu vy'ukuri Ikoroani yaratweretse inzira ducamwo yo gushikana ubutumwa mu mitima y'abantu dukoresheje inzira nziza, kandi Ikoroani ntiyabujije abantu kuzana izindi nzira nshasha.

وقال تعالى: " أدع إلى سبيل ربك بالحكمة والموعظة حسنة وجادلهم باللتي هي أحسن ". النحل 125.

Uwuhoraho Allah Avuga Ati: { Hamagarira mu nzira y'Imana Yawe Allah mu bwitonzi n'inyigisho nziza kandi ubasigurire mu buryo bwumvikana }. Nahli; 125.

Muri uwo murongo (Aayat), Uwuhoraho Yaragaragaje ibiranga umuvugabutumwa hamwe n'inzira ashobora gukoresha mu gushikiriza ubutumwa (Daawat).

Ica mbere aherako ni ugukoresha urupfasoni (Hikma), ari vyemezo bigaragaza ukuri kw'ivyo ariko arashikiriza. Na nico gituma bamwe mu bamenyi banonosoye gusigura (Tafsir) bavuze yuko ijambo (Hikma) ari Ikoroani. Ni ukuvuga: Hamagara mu nzira y'Umuremyi Wawe ukoresheje amajambo y'Ikoroani kuko niyo igaragaza neza ukuri.

Abandi bavuze bati: ……ukoresheje ivyemezo vyo mu Gitabu (Qur’an) hamwe n’inyigisho z’Intumwa (Sunnat).

Uko bimeze kose, ijambo Hikma, ni ijambo rihambaye cane risigura: Guhamagara mu nzira y’Imana Allah ukoresheje ubumenyi hamwe n’ivyemezo bigaragaza ukuri, kandi bituma umuntu anyurwa n’inyigisho aronse.

Kandi iryo jambo Hikma: Rikoreshwa mu nsiguro y’ibintu vyinshi bitandukanye. Hari igihe rikoreshwa mu nsiguro y’ubutumwa, ku bumenyi, gutahura idini, ku bwenge no ku bindi….

Umusheikh yitwa Shawkan yavuze ko: Iryo jambo ari ryo ryose canke amajambo ay’ari yo yose avugwa ku rupfasoni canke akubuza kuvuga nabi, iyo niyo Hikma.

Imirongo y’Ikoroani (Aayat) rero ni yo iza ubwa mbere mu kwitwa Hikma, hagakurikira inyigisho z’Intumwa (Hadith) z’ukuri.

Uwuhoraho Imana Allah Ivuga Iti:

قال تعالى: " ويعلمهم الكتاب والحكمة " الجمعة 2.

***Insiguro:*** { Maze abigishe Igitabu (Ikoroani) hamwe n’urupfasoni (amajambo y’Intumwa) }. Jumua; 2.

وقال تعالى: " يؤتي الحكمة من يشاء، ومن يؤت الحكمة فقد أوتي خيرا كثيرا ". البقرة 269.

Uwuhoraho Allah Ati: { Araha urupfasoni n’ubwitonzi uwo ashatse, kandi uwuhawe urupfasoni n’ubwitonzi nta nkeka aba ahawe ivyiza vyinshi }. Bakara; 269.

**Muri Aayat 125 yo muri Suratu Nahli, haratwereka ko harimwo inzira zitatu zo gukoresha mu gushikiriza ubutumwa**:

الحكمة.
الموعظة الحسنة.
المجادلة بالحسنى.

1) Gukoresha urupfasoni n’ubwitonzi.
2) Inyigisho nziza.
3) Kuganirira ku bintu vyiza.

Muri Suratul Ahzaab, haca hazamwo inzira igira kane y'akarorero keza, Uwuhoraho Allah Avuga Ati:

قال الله تعالى: " لقد كان لكم في رسول الله أسوة حسنة لمن كان يرجو الله واليوم الآخر وذكر الله كثيرا ". الأحزاب 12.

***Insiguro***: { Mu vy'ukuri Intumwa y'Imana (Muhamadi) ni akarorero keza ko gukurikiza kuri urya azi yuko azohura n'Imana Allah n'umusi w'umuhero kandi akaninahaza Imana cane }. Ahzab; 21.

## أهمية الحكمة وفضله:

**AKAMARO K'URUPFASONI N'IVYIZA VYARWO:**

1- Mu vy'ukuri urupfasoni n'ubwitonzi: Imana Allah Yabitoreye izina mu mazina Yayo, kandi iryo zina riguma rigaruka incuro zirenga mirongo umunani muri Koroani.
2- Imana Allah Yujuje urupfasoni n'ubwitonzi n'ukwemera mu mutima w'Intumwa Yayo mw'ijoro rya Israi.
3- Kwigisha urupfasoni n'ubwitonzi: Ni mu vyagaragaye mu bikorwa vy'Intumwa y'Imana (Imana Iyihe amahoro n'imigisha).
4- Imana Yategetse guhamagarira mu nzira yayo akoresheje urupfasoni n'ubwitonzi .
5- Iciza umuntu yohabwa n'urupfasoni n'ubwitonzi.
6- Urupfasoni n'ubwitonzi ni mu bintu bituma kiremwa muntu bamugirira inzigo n'ishari.

قال رسول الله ﷺ: " لا حسد إلا في اثنين، رجل آتاه الله مالا فسلطه على هلكته في الحق، ورجل آتاه الله الحكمة فهو يقضي بها ويعلمها ". متفق عليه.

Intumwa y'Imana (Imana Iyihe amahoro n'imigisha) yavuze Iti: (( Nta nzigo canke ishari (ugupfuha) kiretse ku bintu bibiri, iyo umuntu yahawe amatungo n'Imana Allah, akayakoresha mu kuri, hamwe n'umuntu yahawe urupfasoni n'ubwitonzi, akabikoresha mu gucira imanza abantu no kubigisha )). Bayihurijeko; Bukhari na Muslim.

## صفات الداعية:

**IBIRANGA UMUVUGABUTUMWA:**

Umuvugabutumwa, ategerezwa no kurangwa n'ibintu bine nyamukuru:

Ukurangwa n'imico myiza ndemanwa.1-صفات فطرية

Ukurangwa n’ingeso nziza zironderwa.2-صفات مكتسبة

Ukurangwa no kuba ushobora kugendagenda.3-صفات حركية

Ukurangwa no kuba ufise ubwenge bukomeye.4-صفات عقلية

**تنقسم الصفات الفطرية:**

**IBIRANGWA N’IMICO MYIZA NDEMANWA BIRAGABUYE:**

a) Kuba avuga ukuri • الصدق.

b) Kuba umwizigigwa • الأمانة.

c) Kuba afise ubwenge bwo gutahura • الذكاء.

d) Kuba agira isoni • الحياء.

e) Kuba afise ubwitonzi no gutekereza • الحلم.

f) Kuba agira impuhwe • الرحمة.

g) Kuba ijunja n’inkomezi • الشجاعة.

Rero twamaze kumva ko umuvugabutumwa afise ibimuranga, mu bindi bihambaye n’ibi:

1- Ukwemera adahengeshanya yuko Ubwislamu ari ryo Dini ry’ukuri.

قال الله تعالى: " إن الدين عند الله الإسلام ".

Uwuhoraho Imana Allah Nyenicubahiro Avuga Ati:

{ Mu vy’ukuri Idini ry’ukuri imbere y’Imana Allah ni Ubwislamu }. Aali `Imraan; 19.

2- Ukutagira amakenga:

قال الله تعالى: " أفي الله شك..." إبراهيم 10.

Imana Allah Ivuga Iti: { None hari amakenga ku Mana }?

3- Kugira ingeso nziza n’inyifato ibereye:

4- Gukora ico gikorwa ku bwa Allah, atari ukurondera icubahiro canke kwiyerekana canke kugira ngo baguhayagize. Ahubwo igikenewe n’ugushikiriza ubutumwa bwiza bw’Imana Allah urondera Ubwami bw’ijuru n’ibihembo ku Mana Allah.

5- Kuba afise ubumenyi bukwiye. Uwuhoraho Imana Allah Avuga Ati:

" قل هذه سبيل أدعو إلى الله على بصيرة ". يوسف 108.

{ Vuga uti; Iyi niyo nzira yanje mpamagariramwo abantu nkoresheje ubumenyi…}. Yousuf; 108.

6- Ubwitonzi no gutekereza: Umuvugabutumwa w'ukuri arangwa n'ubwitonzi no gutekereza mu gushikiriza ubutumwa, kandi abe ashobora kwihangana no kwigumya, yirinde gukoresha igikenye no kugumya ibintu, ahubwo yitonde akoreshe amajambo meza yoroshe.

قال تعالى: " فقولا له قولا لينا لعله يتذكر أو يخشى " . طه 44.

Uwuhoraho Imana Allah Avuga Ati: { Mu mubwire amajambo yoroshe, hari naho yo kwibuka canke agatinya }. Twaha; 44.

Aho n'igihe Imana Allah Yarungika Intumwa Yayo Mousa hamwe na Mwene wabo Aroni (Imana Ibahe amahoro) kwa Farao.

7- Kuba ashobora kwigumya no kwihangana: Imana Uwuhoraho Allah Avuga Ati:

" واصبر وما صبرك إلا بالله " النحل 127.

{ Niwihangane, kandi ukwihangana kwawe ukugire kubera Imana Allah }. Nahli; 127.

8- Gukora ico yiyemeje: Umuvugabutumwa rero n'itegeko gukora ico yiyemeje kandi ategerezwa kuba imboneza ku vyo akora, ntabe muri bamwe bigisha abandi ivyo badakora canke bavuga ibinyuranye n'ivyo bakora.

قال تعالى: " يا أيها الذين آمنوا لم تقولون ما لا تفعلون. كبر مقتا عند الله أن تقولوا ما لا تفعلون ". الصف 2-3.

Uwuhoraho Imana Allah Avuga Ati: { Emwe Abemeye! Ni kuki muvuga ivyo mudakora. Ni igicumuro gihambaye imbere y'Imana Allah kuvuga ivyo mudakora }. Swaf; 2-3.

Kandi Yavuze Ati:

" أتأمرون الناس بالبر وتنسون أنفسكم وأنتم تتلون الكتاب، أفلا تعقلون " البقرة 44.

{ Ni kuki mutegeka abantu gukora ivyiza mukibagira kubwiriza imitima yanyu (mukiyibagira) kandi musoma Igitabu (Tawrati, muzi amabwirizwa n'amategeko y'Imana akirimwo) mbega (mwa bayahudi mwe) murafise ubwenge }. Bakara; 44.

وصح عن النبي ﷺ قال: يؤتى بالرجل يوم القيامة فيلقى في النار فتندلق أقتاب بطنه فيدور فيها كما يدور الحمار بالرحي، فيجتمع عليه أهل النار فيقولون له يا فلان! ما لك؟ ألم تكن تأمر بالمعروف وتنهى عن المنكر؟ فيقول: بلى! كنت آمركم بالمعروف ولا آتيه، وأنهاكم عن المنكر وآتيه ".

Vyaravuzwe no mu majambo y'Intumwa y'Imana (Imana Iyihe amahoro n'imigisha), yuko yavuze iti: (( Hazozanwa umuntu ku musi w'umuhero atabwe mu muriro ivyo mu nda yiwe bishe gushika naho inda yiwe ivyimba, kandi abure amahoro kurya kw'indogobwa izungurukira aho ibohewe, abo mu muriro bamukoranireko, bamubaza bati; Ewe naka! Vyakugendeye gute? Ntiwabwirizanya gukora ineza ukabuzanya gukora ibibi? Abishure ati; Nivyo, nahora ndababwiriza gukora ivyiza, ariko jewe sindabikore, nkababuza gukora ibibi, jewe nkabirengako nkabikora )).

Uko niko bazoba bameze ku musi w'umuhero, bamwe bahora bahamagarira abandi mu nzira y'Imana Allah, ariko imvugo zabo zari ziteye kubiri n'ivyo bakora, canke ugasanga ivyo bakora sivyo bavuga, Imana Allah Ibiturinde.

A. Ingeso mbi z'abantu kuvyerekeye ivy'imibano zama zibonekeje abashikiriza ubutumwa boshimikirako, nazo n'izi:

1- Uwushikiriza ubutumwa: Ategerezwa kumenya yuko amakosa n'ivyaha biri mu bantu aho aherereye. Nk'ivyaha vyo gusambana, kunywa ibiyayura mutwe na cane cane mu rwaruka, amakosa yo kwahukana, ukwankana kw'imiryango, kutitaho abavyeyi n'incuti, ubwicanyi hamwe n'ibindi vy'akarenganyo bigirirwa Abaislamu kw'isi yose no mu bihugu vyose.
2- Kwiyegereza amashirahamwe akorera aho ari: Kugira agire uruhara kuko bica bimufasha kumuha inguvu.

قال تعالى: " ولتكن منكم أمة يدعون إلى الخير ويأمرون بالمعروف ". آل عمران .104

Uwuhoraho Imana Allah Avuga Ati: { Ni habe umugwi muri mwebwe uhamagarira abantu gukore ineza }. Aali `Imraan; 104.

وقال تعالى: " واعتصموا بحبل الله جميعا " . آل عمران 103.

Kandi Imana Allah Ivuga Iti: { Mwese ni musenyera (mugire urunani) ku mugozi umwe w'Imana Allah }. Aali `Imraan; 103.

وقال ﷺ: " يد الله مع الجماعة ". رواه الترمذي.

N'Intumwa y'Imana (Imana Iyihe amahoro n'imigisha) yavuze iti: (( Ukuboko kw'Imana kuri kumwe n'abagize urunani )). Yakiriwe na: Tirmidhi.

Kandi uwo wese azokwiyonkora kuri uwo mugwi azoja mu muriro.

3- Ategerezwa kwisukura: Kuko igikorwa arimwo ni inyigisho no kuwuyitanga.

قال تعالى: " واتقوا الله وأصلحوا ذات بينكم ". الأنفال 1.

Imana Allah Ivuga Iti: { Ni mutinye Imana mutunganye hagati yanyu }. Anfal; 1.

وقال تعالى: " وثيابك فطهر. والرجز فاهجر ". المدثر 4-5.

Kandi Imana Allah Ivuga Iti: { Ni usukure ivyambarwa vyawe, wongere wirinde ivyaha }. Muddasthir; 4-5.

4- Ategerezwa ibikenewe gushimikirwako gusumba ibindi no kumenya neza ico ashaka gushikako mu nyigisho ziwe: Agatororokanya ibikenewe. Ni vyiza kandi kuza aritwaza Ikoroani canke udutabu n'ikaramu.
5- Ategerezwa kwimenyereza kuvuga neza, no kwandikisha imashine ku ntumbero yo gukwiragiza ivugabutumwa.
6- Ategerezwa kwihanga:

قال تعالى: " واصبر، وما صبرك إلا بالله ". النحل 127.

{ Ihangane, kandi ukwihangana kwawe kube ku bwa Allah }.

B. Uguharira abandi no kubabarira: Ni ingeso nziza uwushikiriza ivugabutumwa ategerezwa kurondera akanazigendera. Naho yemerewe kwihora mu gihe afise inguvu, ahanurwa kugira ikigongwe no kwihangana.

قال تعالى: " وإن عاقبتم فعاقبوا بمثل ما عوقبتم به، ولإن صبرتم لهو خير للصابرين ". النحل 126.

Uwuhoraho Imana Allah Avuga Ati: { Iyo mwihoye, ni mwihore nk'uko mwahahajwe, ariko nimwihangana ni vyo vyiza kubihangana }. Nahl; 126.

Umusheikh yitwa Hassani Al-Banna yaratanze impanuro nziza avuga ati: Uwushikiriza ivugabutumwa, ategerezwa kuba kurya kw'igiti kiriko ivyamwa, abantu baragitera amabuye maze naco kikabarungikira ivyamwa. Nico gituma uwushikiriza ivugabutumwa ategerezwa kwihangana.

قال تعالى: " فاصبر لحكم ربك ولا تكن كصاحب الحوت إذ نادى وهو مكظوم ". القلم 48.

Uwuhoraho Imana Allah Avuga Ati: { Kuri ivyo niwihanganire ingingo z'Umuremyi Wawe, ntumere nk'urya yamizwe n'ifi (Younus) aho yahamagara afise agahinda }. Kalam; 48.

Hari n'inkuru yashikirijwe ku vyerekeye Intumwa y'Imana (Imana Iyihe amahoro n'imigisha), ko hari umutamakazi yahora ashira umwanda kw'ibarabara mu nzira Intumwa y'Imana yama icamwo. Hanyuma umusi umwe Intumwa y'Imana (Imana Iyihe amahoro n'imigisha) ihaciye isanga wa mwanda ntawahatawe, nayo ica igira amakenga, niho yabaza abantu, nabo bayibwira ko uwo mutamakazi arwaye, nayo ica igenda kumusuhuza aho yari ku musego. Uko niko umuntu ategerezwa kumera mw'ivugabutumwa ryiwe.

Iyindi ngendo nziza uwushikiriza ivugabutumwa ategerezwa kugira ni ugutinya Imana Allah:

قال تعالى: " يا أيها الذين آمنوا اتقوا الله حق تقاته ". آل عمران102.

Uwuhoraho Imana Allah Ivuga Iti: { Emwe abemeye! Nimutinye Imana Allah ukuri ko kuyitinya }. Aali `Imraan; 102.

Ategerezwa kuba umunyakuri mu vyo akora vyose, kandi n'Abaislamu bose bategerezwa kumera uko nyene:

قال تعالى: " يا أيها الذين آمنوا كونوا قوامين بالقسط شهداء لله ولو على أنفسكم أو الوالدين والأقربين ". النساء 135.

Uwuhoraho Imana Allah Avuga Ati: { Emwe abemeye! Nimuhagararire ukuri mube ivyabona kubera Imana Allah, naho hoba ari kuri mwebwe nyene ubwanyu, canke abavyeyi banyu canke ibisanira vyo mu muryango }. Nisai; 135.

Kuvuga yitonze: Uwushikiriza ivugabutumwa ntarekuriwe gukoresha amajambo akaze canke atwenza abandi canke gufyina muri ico gikorwa.

قال تعالى: " فقولا له قولا لينا لعله يتذكر أو يخشى ".

Uwuhoraho Imana Allah Avuga Ati: { Mu mubwire amajambo yoroshe, hari naho yo kwibuka canke agatinya }. Twaha; 44.

Aho n'igihe Imana Allah Yarungika Intumwa Yayo Mousa hamwe na Mwene wabo Aroni (Imana Ibahe amahoro) kwa Farao.

Kuba hagati na hagati mu nyifato yiwe, nk'uko tubisanga mu mpanuro z'Intumwa y'Imana Muhamadi (Imana Iyihe amahoro n'imigisha) iti: (( Uramenya ntuze ube mu bagarariji, kuko abagararije imbere y'Imana Allah barahonejwe )). Bukhari.

Kugira umwete n'ubwira mu gikorwa ciwe no gufata akarorero k'imigenzo y'Intumwa (Sunna):

قال تعالى: " فلعلك باخع نفسك على آثارهم إن لم يؤمن بهذا الحديث أسفا ". الكهف 6.

Uwuhoraho Imana Allah Avuga Ati: { Kumbure uzohava wiyahura kubera ishavu, mu gihe abo uhamagara banse kwemera aya majambo (ubashikiriza) kubera agahinda }. Kahf; 6.

Intumwa y'Imana Muhamadi (Imana Iyihe amahor n'imigisha) yavuze iti: (( Akarorero kanje, ni nk'umugabo yakije umuriro, ibinyugunyugu bikaja biragurukiramwo. Jewe ndiko ndagerageza nkize imibiri yanyu ngo ntimugwe mu muriro, kurya ibinyugunyugu biwitamwo )).

C. Ivyo uwushikiriza ivugabutumwa ategerezwa gushimikirako mu buzima bwiwe n'ibi:

1) Kugerageza kugira imigenderanire myiza ni Imana Allah, kumenyera no kwihatira ibi tugire tuvuge kugira ngo bije mu migenzo yiwe.

Nko gusenga mw'ijoro no kwihangana mu ngorane.

قال تعالى: " يا أيها الذين آمنوا استعينوا بالصبر والصلاة ". البقرة 45.

Uwuhoraho Imana Allah Ivuga Iti: { Emwe abemeye! Nimusabe imfashanyo yo kwihangana no gusenga }. Bakara; 45.

وقال تعالى: " يا أيها المزمل. قم الليل إلا قليلا. نصفه أو انقص منه قليلا. أو زد عليه ورتل القرآن ترتيلا ". المزمل 1-4.

Uwuhoraho Imana Allah Ivuga Iti: { Ewe wipfutse impuzu! Vyuka mw'ijoro naho koba akanya gatoyi. Igice caryo canke urigabanyeko gato. Canke wongereko mu gusoma Ikoroani neza }. Muzzammil; 1-4.

2- Gutanga amahera mu nzira y'Imana Allah, kugirango abe ari kumwe n'abandi mu gufashanya ibikorwa vy'Imana Allah.

قال تعالى: " ومن الأعراب من يؤمن بالله واليوم الآخر ويتخذ ما ينفق قربات عند الله وصلوات الرسول، ألا إن قربة لهم سيدخلهم الله في رحمته، إن الله غفور رحيم ". التوبة 99.

Uwuhoraho Imana Allah Ivuga Iti: { No mu barabu (batari abanyagisagara) harimwo abemera Imana Allah n'umusi w'umuhero bafata ivyo batanga (imperezwa) mu kwiyegereza Imana Allah no kuronka ibisabisho vy'Intumwa, Imana Allah Izobinjiza mu mpuhwe zayo, mu vy'ukuri Imana Allah Ni Nyenimbabazi Nyenimpuhwe }. Tawba; 99.

**GUKORA IVYO ASHOBORA:**

قال تعالى: " وتوكل على العزيز الرحيم. الذي يراك حين تقوم ". الشعراء 217-218.

Uwuhoraho Imana Allah Avuga Ati: { Kandi shira ukwemera kwawe (wizere) kwa Nyeninguvu, Nyenimpuhwe. We Akubona iyo uhagurutse (uvyutse) gusenga }. Shuarai; 217-218.

D. Amateka y'abantu:

1- Uwushikiriza ivugabutumwa (Daawat), ategerezwa kwitaho amateka y'abandi, atari rwiwe gusa, no kuyubahiriza. Ivyo bikaba bitwibutsa inkuru y'abantu batatu binyegeje mw'isenga ry'ibuye, haca haza irindi buye ryugariza urwinjiriro rw'iryo senga ry'ibuye, nabo baca bagira iciyumviro co gusenga, umwe wese asaba Imana Allah ku vyiza yakoze kugirango IMana ibafashe bave muri iryo senga ry'ibuye. Umwumwe wese yarondera

ico yakoreye Imana ayitakambire agiciyeko, Imana Allah Yarabaronkeje inzira yo kuva muri iryo senga ry'ibuye. Kuko ryagiye riruruguruka buke buke ku gisabisho c'umwumwe wese, niho ryahavuye ryuguruka ryose neza aho ingenzi ya gatatu ihereje mu kuvuga ivyo yakoreye umuntu ariko yizeye impera ku Mana Allah.

2- Umuvugabutumwa kwama asaba Imana Allah, igisabisho nk'iki Umusangirangendo (Imana Imwishimire) yasavye Imana Allah, avuga ati: " Ewe Mana Allah! Mfasha kukumvira no kumvira Intumwa Yawe ".

قال الله تعالى: " ولينصرن الله من ينصره، إن الله لقوي عزيز ". الحج 40.

Uwuhoraho Imana Allah Avuga Ati: { Mu vy'ukuri Imana Allah Izofasha abo bayikorera, kandi Imana Irakomeye, Ni Nyenintsinzi }.

3- Ategerezwa kuvuga adahengeshanya ibisabisho vy'Intumwa yacu Muhamadi (Imana Imuhe amahoro n'imigisha), akabigira nk'umugenzo mu buzima bwiwe.

Intumwa y'Imana (Imana Iyihe amahoro n'imigsha) yabwiye Ubayya mwene Kaabu iti: (( Hamwe wosabira Intumwa ku Mana incuro nyinshi, ivyo vyoba bikwiye mu gusenga kwiwe )). Yakiriwe na: Tirmidhi.

E. Ibintu uwushikiriza ivugabutumwa atemerewe gukora mu buzima bwiwe:

1- Kwirinda kugira uruhara mu mpari nk'igihe bariko baratyoza imirongo yo muri Koroani (Aayat). Uwuhoraho Imana Allah Avuga Ati:

" وذر الذين اتخذوا دينهم لعبا ولهوا وغرتهم الحياة الدنا " الأنعام 70.

{ Rekana nabo bafashe idini ryabo nk'igikinisho n'imburakimazi ahubwo bahendwa n'ubuzima bw'isi }. Aneam; 70.

Allah Asubira Avuga Ati:

" وإذا رأيت الذين يخوضون في آياتنا فأعرض عنهم حتى يخوضون في حديث غيره ". الأنعام 68.

{ Niwabona abashinyagurira amajambo Yacu, uraca ubirengagiza gushika batanguye ikindi kiganiro }. Aneam; 70.

2- Ntegerezwa kwihebura: Uwuhoraho Imana Allah Avuga Ati:

" فاصبر، إن وعد الله حق ولا يستخفنك الذين لا يوقنون ". الروم 60.

{ Niwihangane, kuko ivyo Imana Allah Yakwemereye ni ukuri, kandi ntucibwe inkokora na barya batemera neza }. Ruum; 60.

3- Ntategerezwa gucika inkokora kubera igitigiri n'inguvu z'abamurwanya, ahubwo ategerezwa kwibuka amajambo yo muri Koroani avuga ati:

" ولله غيب السموات والأرض وإليه يرجع الأمر كله، فاعبده وتوكل عليه، وما ربك بغافل عما تعملون ". هود 127.

{ Imana Allah Niyo Igaba ivyanyegejwe mu majuru no mw'isi, kandi vyose bizosubira kuri Yo, rero yigamburukire wongere uyizere, kandi Umuremyi Wawe ntayobeye ivyo mukora }. Huud; 127.

4- Kandi umuvugabutumwa ntatinya ivyo bamuvugako:

قال الله تعالى: " قل يا أيها الكافرون. لا أعبد ما تعبدون ". الكافرون 1-2.

Uwuhoraho Imana Allah Avuga Ati: { Vuga uti: Emwe bahakanyi! Ntabwo nsenga ivyo musenga }. Kafirun; 1-2.

5- Umuvagabutumwa ntiyigera yorosha ku murimo wiwe:

قال الله تعالى: " فلا تطع المكذبين. ودوا لو تدهن فيدهنون ". القلم 8-9.

Uwuhoraho Imana Allah Avuga Ati: { Ntukigere ugamburukira abagarariji. Bipfuza ko uborohereza nabo bakorosha ( mu gutuka idini) }. Kalam; 8-9.

6- Umuvugabutumwa ategerezwa kumenya yuko azogira abansi (abatamukunda) kuko n'Intumwa zari zifise abansi:

قال تعالى: " وكذلك جعلنا لكل نبي عدوا من المجرمين، وكفى بربك هاديا ونصيرا ". الفرقان 31.

Uwuhoraho Imana Allah Avuga Ati: { Uko niko Twagiye Duha intumwa umwansi mu nkozi z'ikibi, ariko rero Umuremyi wawe Arikwije mu kurongora no gutabara }. Furkan; 31.

F. Ukudatirigana:

Ico n'ikintu Imana Allah Yashimikiyeko hamwe n'Intumwa Yayo:

قال الله تعالى: " إن الذين قالوا ربنا الله ثم استقاموا تتنزل عليهم الملائكة أن لا تخافوا ولا تحزنوا وأبشروا بالجنة التي كنتم توعدون ". فصلت 31.

Uwuhoraho Imana Allah Avuga Ati: { Mu vy'ukuri, abavuze bati: Umuremyi wacu ni Imana Allah, hanyuma bakaryumako, bamanurirwa Abamalayika bababwira bati: Ntimutinye kandi ntimugire n'agahinda, turanabijeje (ko muzokwinjira) mu Bwami bw'ijuru mwemerewe }. Fuswilat; 31.

Intumwa y'Imana (Imana Iyihe amahoro n'imigisha), yahora ihanura abemera kugaragaza ukwemera kwabo, kandi baniyemeze kuguhagararira.

- **<u>UMUSI WA AQABAT:</u>**

G. Ni umusi warugoye cane ku Ntumwa y'Imana Muhamadi (Imana Imuhe amahoro n'imigisha), igihe yaragiye i Twaif gushikiriza ivugabutumwa (Daawa), abana n'abandi bakuze baramuteye amabuye gushika n'aho ava amaraso. Abamalayika baraje baramusaba kumuhorera kugirango babatikize mu kubahenurirako imisozi abo bagizi ba nabi. Intumwa y'Imana Muhamadi (Imana Imuhe amahoro n'imigisha) yabishuye iti: (( Nimubareke! Kuko hari n'aho Imana Allah Yobereka inzira canke mu migongo yabo hakavuka abemera Ubwislamu )).

Abou Jahli yahora agora Muhamadi (Imana Imuhe amahoro n'imigisha) igihe yaba ariko arasengesha mu ngoro y'Imana Allah y'i Makka, Imana Allah Yarabishize no mu Gitabu Cayo Ikoroani Nyeranda.

قال الله تعالى: " أرأيت الذي ينهى. عبدا إذا صلى ". العلق 9-10.

Imana Allah Ivuga Iti: { Mbega warabonye uwuburabuza. Umushumba (w'Imana) iyo ariko arasenga }. Alak; 9-10.

Intumwa y'Imana Ibrahim (Imana Iyihe amahoro n'imigisha) yaratawe mu muriro, ariko ntiyadohotse kw'ivugabutumwa ryiwe, ahubwo ico yakoze n'Imana Allah Yaciye Igishira no muri Koroani.

قال الله تعالى: " قلنا يا نار كوني بردا وسلاما على إبراهيم ". الأنبياء 69.

Uwuhoraho Imana Allah Avuga Ati: { Twavuze Tuti: Wa muriro we! Ba imbeho kandi wongere ube amahoro kuri Ibrahim }. Anbiyau; 69.

Intumwa y'Imana Yesu (Imana Imuhe amahoro) yarahemukiwe n'abo yaha ubutumwa, mbere barahatswe no kumugandagura ariko Imana Allah Yaramutabaye.

Naho hambere hahise Abaimamu barapfunzwe barababazwa cane ariko abo bose nta n'umwe yatiriganye kw'ibanga ryiwe.

- Rero uwushikiriza ubutumwa, ntategerezwa kuvuga nabi canke atukane:

قال تعالى: " ولا تسبوا الذين يدعون من دون الله، فيسبوا الله عدوا بغير علم ". الأنعام 108.

Uwuhoraho Imana Allah Avuga Ati: { Ntimugatuke ibigirwamana, ngo benevyo babonereho gutuka Imana Allah mu kwihora no mu bujuju }. Aneam; 108.

- Uwushikiriza ivugabutumwa , ategerezwa kwirinda kwishura ikibazo mu gihe inyishu yaco yoba hari abo ikomeretsa canke yotandukanya abantu:

Umwami Farao yabajijie Intumwa y'Imana Mousa (Imana Imuhe amahoro) kuvyerekeye abasokuruza b'abakurambere bapfuye ati:

" فما بال القرون الأولى ". طه 51.

{ Ibinjana vyadutanguriye nabo bizogenda gute }. Twaha 51.

Intumwa y'Imana Mousa (Imana Imuhe amahoro) yamwishuye ati:

" قال علمها عند ربي في كتاب. لا يضل ولا ينسى ".

{ Avuga ati: Ivyabo bizwi n'Umuremyi Wanje Allah kandi vyanditswe mu Gitabu. Imana Allah ntizimira kandi ntiyibagira }. Twaha; 52.

**UBURYO N'UBUHINGA BUMWE BWO GUSHIKIRIZA IVUGABUTUMWA: وسائل الدعوة**

Ivugabutumwa (Daawat) irashobora gushikirizwa mu buryo bumwe canke bwose muri ubu bukurikira:

1- Umuntu umwe abwira uwundi.
2- Abantu bari mu mugwi bakabwira umuntu umwe.
3- Umuntu umwe abwira umugwi w'abantu.
4- Umugwi w'abantu ukabwira umugwi w'abantu.
5- Munzandiko, ibinyamakuru.
6- Mu masanamu, amaradiyo, amafoto, amakaseti, imboneshakure.
7- Ibindi vyuma vyo mu buhinga bugezweho vyo gutuma tumanako amakuru.
8- Ibikorwa vya misi yose vyo gufasha.

Intumwa y'Imana Nowa (Imana Imuhe amahoro) yakoresheje uburyo bwose avuga ati:

" ثم إني دعوتهم جهارا. ثم إني أعلنت لهم وأسررت لهم إسرارا ". نوح 8-9.

{ Hanyuma mu vy'ukuri jewe narabahamagaye ku mugaragaro. Hanyuma ndabatangariza nongera ndababwira mu mpisho }. Nuuh; 8-9.

- **INZANDIKO:**

Inzandiko: Ni uburyo bworoshe bwo gushikiriza ivugabutumwa.

- Nk'amakaseti yo kwumviriza hamwe nayo kuraba.
- Amafoto.
- Ibinyamakuru, iradiyo.
- Internet, nibwo buhinga bwanyuma bugezweho.

- Igikorwa c'imibano:

Umuvugabutumwa (Dai) ategerezwa kwitaho amajambere agafasha abantu akagira akamaro mu kibano aho agendera hose.

- Agakora ku buryo abantu bamwumvamwo ko ashira mu ngiro ivyo yigisha kugirango bamenye ko asangiye n'abandi amagorwa n'amahirwe.
- Uwushikiriza ivugabutumwa, ategerezwa rero kuba umugenzi wa nkenerwa.

• Uwo dushobora gufatirako akarorero mu gushikiriza Daawat:

Mu vy'ukuri ubuzima bw'Intumwa y'Imana Muhamadi (Imana Imuhe amahoro n'imigisha) ni akarorero keza ko gukurikiza ku muntu akora igikorwa c'ivugabutumwa.

Inyigisho ni nyinshi kuri ivyo.

- Mu gihe uwushikiriza ivugabutumwa yoba adateguye ivyo ashikiriza arashobora gukoresha amajambo meza mu kuvuga canke mu kwandika canke agasaba Imana Allah, amumurikire we nyene, hanyuma akihweza inyigisho z'Intumwa y'Imana (Imana Imuhe amahoro n'imigisha).

• **IBIKORESHO VY'IVUGABUTUMWA**:

Uwushikiriza ivugabutumwa (Daawat) ategerezwa kwamana ibikoresho vy'akazi kiwe mu minwe, nk'amakaseti, udutabu, ivyandiko, udukaratasi twanditseko inyigisho, ibinyamakuru n'ibindi…

- Ategerezwa kugira isuku, akaboneka neza imbere y'abantu no gusa neza nkuko twari twabisiguye.
- Ategerezwa kuba yiteguye mu mutwe ko ashobora gukankamigwa, gutukwa, gutwengwa, kuvugwa, gukenkerwa, canke gusotorwa (gusindirwa) mu buryo ubwaribwo bwose mu bikorwa canke mu majambo.
- Ategerezwa kwihangana no kwihagararako.
- Ategerezwa kwirengagiza ishavu n'agahinda.

**IVUGABUTUMWA RITEGEREZWA GUHINDUKA UKO RIGENDA RIRATERA ITAMBWE:**

Ivyo vyerekana yko hari ivyo Umuvugabutumwa ategerezwa guherako mu gushikiriza ivugabutumwa. Uwitwa Muadhi yabigenjeje uko igihe yari yarungitswe gutanga ubutumwa mu gihugu ca Yemeni.

A. Ni naco gituma uwushikiriza ivugabutumwa ategerezwa kugira ubumenyi bwiza kandi bukwiye akongera akagwiza abagenzi uko igihe kigenda. Ni vyiza kandi gusumba

atanguye guhamagarira ab'iwabo bo mu muryango wiwe bakamenya Imana Allah ko Ari Imwe Rudende.

قال الله تعالى: " وأنذر عشيرتك الأقربين ". الشعراء 214.

Uwuhora Imana Allah Avuga Ati: { Kandi uburire abo mu muryango wawe bakwegereye }. Shuarai; 214.

B. Intambwe ikurikira; Ni ukuvuga ivyerekeye kamere (ubuzima) inkurikizi y'ivyaha.
C. Ivyerekeye imigenderanire y'Umuremyi n'ikiremwa muntu.
D. Ategerezwa kwiheza mu bantu no guhitamwo abashaka kumenya Ubwislamu n'inyigisho zabwo.
E. Ico gihe, niho aca atanga amakaseti akenewe hamwe n'udutabu kugirango uyo afise ako kanyota ko kumenya ashobore kwumva no gusoma utwo dutabu ntitube turimwo ibitera impari kenshi nk'ivy'ukwemera, ukwizera no kwiyegereza Imana Allah.
F. Arashobora gutumira abantu imuhira iwe agaca aboneraho kwigisha Ubwislamu. Kandi ubwo buryo Intumwa y'Imana (Imana Iyihe amahoro n'imigisha) yarabukoresheje.
G. Hagize uwinjira mu bwislamu, ategerezwa kwigisha kwigishwa ibikenewe vyose kugirango abe Umwislamu yongere atsimbataze Ubwislamu.
H. Amaze kuronka akamaro ko kuja hamwe n'abandi, ategerezwa gufashwa akaja mu mugwi ubereye.

**A- <u>IGISHIKA C'ABUMVIRIZA:</u>**

- Umuvugabutumwa; Ategerezwa kumenya ingene abamwumviriza bamerewe imbere yuko abandanya atanga inyigisho.
- Ivugabutumwa; Ritegerezwa gushikirizwa ku mwanya n'ahantu habereye, atari uko naho ubutumwa bwohava butuma haba ingaruka mbi.
- Ivugabutumwa; Ritegerezwa guhabwa uwurikeneye kandi bavyerekanye ko bashaka kwumviriza utaravye abariho uko bangana.

قال تعالى: " كلا إنها تذكرة. فمن شاء ذكره ". عبس 11-12.

Imana Allah Ivuga Iti: { Oya! Iki n'icibutso. Uwushaka niyibuke }. Abasa; 11-12.

Uwushikiriza ivugabutumwa; Yoraba ko bikenewe ko yabandanya yigisha umuntu umwe muri iki kiringo cose ategerezwa kuguma araba ingene atera imbere.

**B- <u>IMPANURO NZIZA (INYIGISHO ZIBEREYE):</u>**

Umuvugabutumwa; Ategerezwa gutanga impanuro nziza n'inyigisho nziza z'ingirakamaro.

1- Kuguma afasha kandi agafasha n'abamwitwarako nabi:

قال تعالى: " ادفع بالتي هي أحسن السيئة ". المؤمنون 96.

Imana Allah Ivuga Iti: { Zibiza inabi yabo iciza…}. Muuminuna; 96.

وقال تعالى: " ولا تستوي الحسنة ولا السيئة، ادفع بالتي هي أحسن، فإذا الذي بينك وبينه عداوة كأنه ولي حميم ". فصلت 34.

Kandi Imana Allah Ivuga Iti: { Iciza nticongana n'ikibi, gerageza utsindishe ineza, kuko urwanko ruri hagati yanyu ruzoteba ruvemwo urukundo }. Fuswilat: 34.

2- Umuvugabutumwa; Ategerezwa kunezera abandi akabaremesha akagabanya ingorane bafise.

Impanuro y'Intumwa y'Imana (Imana Iyihe amahoro n'imigisha) ivuga iti: (( Nimworoshe ibintu, mugatuma bigorana. Rondera umunezero, ntimurondere ingorane )). Yakiriwe na: Bukhari.

3- Umuvugabutumwa; Ategerezwa kurondera imvo n'imvano idaharirizwa yo gushikiriza ubutumwa.

قال الله تعالى: " قل يا أهل الكتاب تعالوا إلى كلمة سواء بيننا وبينكم أن لا نعبد إلا الله " آل عمران 64.

Uwuhora Imana Allah Avuga Ati: { Emwe mwahawe igitabu! Nimuze tuganire ijambo riduhuriza hagati yacu namwe, ntihagire uwundi asengwa atari Imana Allah }. Aali Imran; 64.

4- Umuvugabutumwa; Ategerezwa kudata umwanya kuri uyo wese atishura neza ivyo amuhamagariye.

قال الله تعالى: " لا إكراه في الدين ". البقرة 256.

Imana Allah Ivuga Iti: { Nta gahato mw'idini }. Bakara; 256.

وقال تعالى: " فذكر إنما أنت مذكر. لست عليهم بمصيطر " الغاشية 21-22.

Kandi Imana Ivuga Iti: { Ibutsa, kuko wewe ujejwe kwibutsa. Nta gikenye ukoresha kuri bo }. Ghashiya; 21-22.

5- Umuvugabutumwa; Ategerezwa kuba afise ubumenyi bukwiye hamwe n'ukwizera gukwiye mu gihe ahejeje gushikiriza ubutumwa, kuko ahasigaye haba ari ah'Imana Allah Yonyene.

قال تعالى: " ليس عليك هداهم ولكن الله يهدي من يشاء ". البقرة 272.

Uwuhoraho Imana Allah Avuga Ati: { Ukurongoka kwabo ntiguhagaze kuri wewe, ariko Imana Allah Iyobora uwo Ishatse }. Bakara; 272.

E. **GUTANGA INYIGISHO ZISHINGIYE KU KURI (MU GUHANAHANA IVYIYUMVIRO):**

Si vyiza k'uwushikiririza ivugabutumwa; Kuja mu vyo guharira, ariko bishitse akabigira aca ategerezwa gutanga inyigisho nziza ziboneka kandi zifise aho zifatiye, mbere akirinda n'amajambo mabi abishe hamwe n'ibitutsi.

قال تعالى: " ولا تجادلوا أهل الكتاب إلا بالتي هي أحسن، إلا الذين ظلموا منهم " العنكبوت 46.

Imana Allah Ivuga Iti: { Ntimugahanahane amajambo na barya bahawe igitabu (abakrisu n'abayahudi), atari mu buryo bwiza no ma majambo abereye, kiretse barya barenganya (basotorana) muri bo }. Ankabut; 46.

Kandi mu gihe abona ko ibiganiro vyohava bizana ingorane canke kudahuza ivyiyumviro, uwushikiriza ivugabutumwa ategerezwa guca ahaguruka muri ico kibanza mu rupfasoni no mu nyifato ibereye.

قال الله تعالى: " وإذا سمعوا اللغو أعرضوا عنه، وقالوا لنا أعمالنا ولكم أعمالكم، سلام عليكم لا نبغي الجاهلين ". القصص 55.

Uwuhoraho Imana Allah Avuga Ati: { Iyo baba bumvise amajambo adatumbereye, baca bayaca kure, bagaca bavuga bati; Twebwe dufise ibikorwa vyacu, namwe mukagira rwanyu, amahoro n'abane namwe, kuko twebwe ntidushaka (guhaririza) abadatahura }. Kasas; 55.

Akarorero keza kabereye ko guhanahana ivyiyumviro, tugasanga mu majambo y'Imana igihe Intumwa y'Imana Ibrahimu (Imana Imuhe amahoro n'imigisha) n'umwami wo muri ico gihe bahana aya majambo :

ألم تر إلى الذي حاج إبراهيم في ربه أن آتاه الله الملك، إذ قال إبراهيم ربي الذي يحيي ويميت، قال أنا أحيي وأميت، قال إبراهيم فإن الله يأتي بالشمس من المشرق فأت بها من المغرب، فبهت الذي كفر، والله لا يهدي القوم الظالمين ". البقرة 258.

Uwuhoraho Imana Allah Avuga Ati: { Mbega ntiwibuka (ntiwumvise, ntiwabonye) wawundi yahanahana amajambo na Ibrahimu ku Mana yiwe yitwaje ubwami yahawe n'Imana Allah, aho Ibrahimu yavuga ati; Imana yanje ni Yayindi Itanga ubuzima n'urupfu. Nawe avuga ati; Ni jewe ntanga ubuzima n'urupfu. Ibrahimu ati; Mu vy'ukuri Imana Allah Ikura izuba mu buseruko, nawe rero riserure mu burengero. Nya muhakanyi arumirwa, kukaba nkako Imana Allah ntirongora abantu bahemutse }. Bakara 258.